# Kwumva neza Sentare mpanavyaha mpuzamakungu

**Ibiri mwo**

**I. Sentare mpanavyaha mpuzamakungu mu majambo make 3**

**II. Ingene Sentare igizwe 9**

**III. Ivyaha sentare ifitiye ububasha 13**

**IV. Sentare ikora ngw'iki ? 17**

A. Ukurungika urubanza, ukurwiga , gukora amatohoza 17

B. Ugupfunga 21

C. Uburenganzira bw'abakekwako ivyaha 25

D. Ukwemeza ivyaha imbere y'iburanisha 29

E. Ukuburanisha 33

F. Urubanza rwaciwe n'igihano 37

G. Ukwunguruza n'ugusubiramwo urubanza 38

**V. Uruhara rw'abakorewe amabi 41**

**VI. Ugukingira ivyabona 45**

**VII. Ayandi makuru yerekeye Sentare**

*« (…)ivyaha bibi cane bibabaza isi yose iyo iva ikagera ntibishobora kuguma bidahanywe (…) »*

Intangamarara y'Amasezerano y'i Roma.

Kw'igenekerezo rya 17 Mukakaro 1998, i Roma, ibihugu 120 vyaremeje amasezerano - Amasezerano y'i Roma yerekeye Sentare mpanavyaha mpuzamakungu- ashinga *Sentare mpanavyaha mpuzamakungu (CPI)* - Intangamarara y'Amasezerano y'i Roma.


Ikitari bwaboneke na rimwe kwisi, ibihugu vyaremeye guha ububasha Sentare mpanavyaha mpuzamakungu ntayegayezwa, ijejwe gukurikirana ivyaha bihambaye vyakorewe muri ivyo bihugu canke vyakozwe n'ababikomokamwo, kuva kw'igenekerezo ayo masezerano yatanguye gukurikizwa kw'igenekerezo rya mbere Mukakaro 2001.

Sentare mpanavyaha mpuzamakungu ntisubirira sentare z'ibihugu.

Amasezerano y'i Roma yibutsa ko igihugu cose kibwirizwa gukoresha ububasha mpanavyaha bwaco kugira gikurikirane abakoze ivyaha bihanwa n'amategeko mpuzamakungu. Sentare ivyinjiramwo iyo igihugu kidafise ubushobozi canke ubushake bw'ugukora amatohoza neza nkuko bikwiye n'ugushikiriza ubutungane abakoze ivyaha.

Intumbero yambere ya Sentare n'ugufasha guhagarika ukudahanwa kw'abakoze ivyaha bihambaye cane bihungabanya amakungu ikongera ikaba iriko irafasha kubituza.

Iyo amakuru atanzwe neza, birafasha mu buryo buramye gusonera ubutungane mpuzamakungu n'ugushira mungiro ivyo buvuga. Uru rwandiko nyobozo rurondera gufasha kwuva neza Sentare mpanavyaha mpuzamakungu mukwishura ibibazo bikunda kubazwa kenshi kuri yo.


Pays-Bas
Cour
Pénale
Internationale
International
Criminal
Court
La Haye
Pays-Bas

## I. Sentare mpanavyaha mpuzamakungu mu ncamake

### 1. Sentare mpanavyaha mpuzamakungu n'iki?

**Sentare mpanavyaha mpuzamakungu « Sentare » ni Sentare mpuzamakungu ntayegayezwa yashinzwe kugira igire amatohoza, ikurikirane kandi icire imanza abantu bagirizwa ko bakoze** ivyaha bihambaye cane bihungabanya amakungu, navyo n'icaha c'ihonyabwoko, ivyaha vy'agahomerabunwa, ivyaha vyo mu ngwano n'icaha c'agasomborotso.

### 2. Ni kuki Sentare mpanavyaha mpuzamakungu yashinzwe?

Ivyaha bimwe bimwe bibi cane vyarakozwe mu ntambara zabaye mu kinjana ca XX. Vyinshi murivyo vyaha vyahonyanga amategeko mpuzamakungu ntivyigeze bihanwa. Ingwano ya kabiri y'isi yose iheze, Sentare za Nuremberg na Tokyo zaciye zishingwa.

Mu 1948, igihe bemeza Amasezerano yerekeye kwirinda n'uguhana icaha c'ihonyabwoko , Inama y'ibihugu biri mw'Ishirahamwe mpuzamakungu ONU yaremeye ko bikenewe gushinga Sentare mpuzamakungu ntayegayezwa ijejwe gufata ingingo ku mabi asa nayaheruka gukogwa.

Umugambi w'ugushinga sentare mpanavyaha mpuzamakungu wasubiye kuja ahabona aho ingwano y'ugushamirana ihereye. Mu gihe hariho inama y'Ishirahamwe mpuzamakungu ONU yerekeye Amasezerano y'ugushinga Sentare mpanavyaha mpuzamakungu , isi yariko irarorera ivyaha bitagira uko bivugwa mu gihugu cahora citwa Yougosalvia no mu Rwanda . Inama ya ONU ishinzwe umutekano yafatiye kuri ayo mabi y'akamaramaza ica ishiraho Sentare *zibishinzwe* kuri ivyo bihugu vyompi.

Ivyo vyabaye vyaratumye, ubutagisubira inyuma , haba ingingo y'uguhamagara i Roma, mu ci ry' 1998 ,inama y'ibihugu yahavuye ishinga Sentare mpanavyaha mpuzamakungu.

### 3. Amasezerano y'i Roma n'iki?

Kw'igenekerezo rya 27 Mukakaro 1998, inama y'ibihugu 160 yaremeje Amasezerano ashinga Sentare mpanavyaha mpuzamakungu ntayegayezwa yambere. Ayo masezerano, yemejwe muri iyo nama, yitwa « Amasezerano y'i Roma ». Bimwe muvy'ayo masezerano atomora , harimwo ivyaha Sentare ifitiye

ububasha, amategeko ntunganya bikorwa, n'ingene Sentare n'ibihugu vyofashanya. Ibihugu vyemeye ayo mabwirizwa vitwa « Ibihugu bihurikiye mu masezerano », kandi biraserukirwa mu Nama y'ivyo ibihugu.

Iyo Nama ikorana n'imiburiburi rimwe ku mwaka, igashinga ingingo ngenderwako Sentare ikurikiza mu gukora kandi ikihweza ivyo Sentare yakoze. Muri izo nama, ibihugu birihweza ivyakozwe n'imigwi nshingwabikorwa yashinzwe n'ibihugu n'ibindi bibazo bihambaye vyerekeye Sentare, bikiga imigambi mishasha kandi bigashinga amafranga Sentare izokoresha ku mwaka.

**4. Ibihugu vyemeje Amasezerano y'i Roma ni bingahe?**

Hari ibihugu birenga 120 bihurikiye mu Masezerano y'i Roma ashinga Sentare mpanavyaha npuzamakungu, bikaba biserukira ibice vyose vyo kw'isi : Afrika, Asia na Pacifique, Ubulaya bw'ubuseruko, Amerika y'epho na Caraibes,Ubulaya bw'uburengerazuba n'ibindi bihugu.

**5. Icicaro ca Sentare kiri he?**

Icicaro ca Sentare kiri i La Haye, mu Buholandi. Amasezerano y'i Roma ategekanya ko Sentare isasa ahandi iyo abacamanza babona ko ari vyo bikwiye. Kandi Sentare yaruguruye ibiro mu ntara iriko igira mwo amatohoza.

**6. Amafranga Sentare ikoresha ava he?**

Sentare ikoresha amafranga atangwa n'ibihugu vyemeje amasezerano y'i Roma, intererano y'ama leta, amashirahamwe mpuzamakungu, abantu, amashirahamwe acuruza n'ibindi bisata.

**7. Sentare mpanavyaha mpuzamakungu itaniye he n'izindi Sentare?**

Sentare mpanavyaha mpuzamakungu ni Sentare yigenga ntayegayezwa nazo Sentare zidasanzwe zerekeye icahora citwa Yugoslavia n'Urwanda, hamwe n'izindi Sentare z'ubwo bwoko, zashinzwe n'ibihugu bihurikiye mw' Ishirahamwe mpuzamakungu ONU kugira zitunganye ivyagoranye bizwi, zishingwa amabanga n'ububasha biri n'aho bitarenga. Sentare mpanavyaha mpuzamakungu , icira imanza abantu mu buryo butandukanye nubwa Sentare y'ubutungane

mpuzamakungu, igisata gikuru kijejwe ubutungane muri ONU kandi gishinzwe gutunganya amatati hagati y'ibihugu.  Sentare idasanzwe ijejwe ivyerekeye igihugu cahora citwa Yugoslavia na Sentare y'ubutungane mpuzamakungu zifise ivyicaro i La Haye mu Buholandi.

**8. Sentare mpanavyaha mpuzamakungu ni ibiro canke ishami ry'Ishirahamwe mpuzamakungu ONU?**

Oya, Sentare mpanavyaha mpuzamakungu ni igisata cigenga, cashinzwe kugira gice imanza zerekeye  ivyaha  gifitiye ububasha, kitiriwe kirakenera  ubundi bubasha budasanzwe yohabwa n'Ishirahamwe mpuzamakungu ONU. Kw'igenekerezo rya 4 Gitugutu 2014, Sentare mpanavyaha mpuzamakungu  na ONU vyarapfunditse  amasezerano yerekeye imigenderanire bifitaniye.

**9. Sentare mpanavyaha mpuzamakungu  yoba igenewe gusubiririra amasentare y'ibihugu?**

Oya. Sentare mpanavyaha mpuzamakungu  ntisububirira  sentare mpanavyaha z'ibihugu, irazunganira.  Ntishobora kugira amatohoza , hanyuma iyo bikenewe, igakurikirana kandi igacira imanza abantu, atari iyo igihugu biraba kitatanguye amatohoza, kidafise ubushobozi bimwe bigaragara bw'ukubikora  canke kidashaka  kubikora, nkuko bishobora kugaragazwa n'ingene ibintu biteba ata nsiguro ifadika canke hagakorwa ibintu bifise intumbero  y'ugufasha abantu ngo ntibakurikiranwe  ku vyaha bakoze. Iyo ngingo ngenderwako niy'ukwuzuzanya n'ugushaka gushira imbere inzego z'ibihugu.

Ibihugu  biguma ari vyo vyambere bijejwe  gucira imanza  abakoze ivyaha bihambaye.

**10. Hakenewe ivyangombwa ibihe kugira Sentare ikoreshe ububasha bwayo?**

Iyo igihugu cemeje amasezerano y'i Roma, kiba cemeye ububasha bwa Sentare ku vyerekeye ivyaha bitegekanijwe muri ayo masezerano. Sentare ishobora gukoresha ububasha bwayo igihe kimwe mu vyangombwa bikurikira kibonetse : iyo uwukekwa ko yakoze icaha ava mu gihugu cemeje amasezerano y'i Roma canke iyo icaha cakorewe  mu gihugu cemeje ayo masezerano. Igihugu kitemeje amasezerano y'i Roma kirashobora kwemera ububasha bwa Sentare.

Ivyo vyagombwa ntibikurikizwa iyo Inama ishinzwe umutekano ya ONU, yisunze igice c'VII c'amasezerano ashinga ONU, yashikirije ivyabaye Umushikirizamanza wa Sentare.

**11. Ububasha bwa Sentare bwoba bufise igihe butarenga ?**

Ububasha bwa Sentare bwerekeye gusa ivyakozwe inyuma y'aho Amasezerano y'i Roma yatanguriye gukurikizwa kw'igenekerezo rya mbere Mukakaro 2002. Iyo igihugu cemeje ayo masezerano mu nyuma y'aho yatanguriye gukurikizwa, Sentare ishobora gukoresha ububasha bwayo ku vyaha vyakozwe mu nyuma y'aho ayo masezerano yatanguriye gukurikizwa kuri ico gihugu, kiretse ico gihugu cemeye ko ayo masezerano akurikizwa kuri co kuva mu ntango. Ariko, uko vyogenda kwose, Sentare ntishobora kwihweza ivyabaye imbere y'igenekerezo rya mbere Mukakaro 2002. Ku gihugu gishasha, amasezerano ashirwa mu ngiro ku munsi wambere w'ukwezi gukurikira iminsi 60 kuva kw'igenekerezo impapuro zerekana iyemeza ry'amasezerano zatangiwe.

**12. Ni nde ashobora kurenguka imbere ya Sentare ?**

Sentare mpanavyaha mpuzamakungu ikurikirana abantu, ntikurikirana imirwi canke ibihugu. Umuntu wese yoba yarakoze ivyaha Sentare ifitiye ububasha ashobora gusanga ari imbere ya Sentare. Intumbero mpanavyaha y'Ibiro vy'Umushikirizamanza n'iyukwihwabira abantu bafise uruhara runini cane mu vyaha, hakurikijwe ivyemezo vyegeranijwe , kandi atakuraba ibiti boba bafise muri Leta.

**13. Sentare mpanavyaha mpuzamakungu irashobora gucira imanza abana ?**

Sentare mpanavyaha mpuzamakungu ntifise ububasha ku bantu batarashikana imyaka 18 igihe ivyaha bikurikiranwa vyakorwa**.**

**14. Iyo abafise uruhara runini mu vyaha vyakozwe bafise amabanga ahambaye muri politike no mu gisilikare, ubwo ntibakingiwe gukurikiranwa ? Ntibashobora kuronka ubudahangarwa canke kuronka ikigongwe.**

Nta muntu numwe ashobora kudakurikiranwa kubera amabanga yarangura canke ikibanza yarafise igihe ivyaha bikurikiranwa vyakorwa.

Kugira ico ukora uri umukuru w'igihugu canke wa Reta, uri umushikiranganji canke umushingamateka ntibikurako ugukurikiranwa imbere ya Sentare mpanavyaha mpuzamakungu. Mu bihe bimwe bimwe, umuntu w'umutegetsi arashobora gukurikiranwa ku vyaha vyakozwe n'abantu atwara canke ategeka**.**

Bisubiye, ikigongwe gitangwa n'amategeko nta gaciro gifise imbere ya Sentare mpanavyaha mpuzamakungu. Ico kigongwe ntikibuza rero Sentare gukoresha ububasha bwayo.

**15. Sentare iritaho inkurikizi z'ugusohora umutahe w'uguhagarika umukuru wa Sudani ku nzira y'amahoro muri ico gihugu isanwe idashemeye?**

Oya. Sentare mpanavyaha mpuzamakungu ni urwego rushinzwe amabanga y'ubutungane gusa. Ntirugenzurwa n'inzego za politike. Kubera ari Sentare yigenga, imanza /ingingo zayo zihagaze ku mategeko kandi zicibwa/zifatwa n'abacamanza bigenga kandi ataho bahengamiye , bisunze ibiri mu Masezerano y'i Roma yashinze Sentare, n'ayandi mategeko agenga ibikorwa vyabo.

**16. Hari abavuga ko Sentare mpanavyaha mpuzamakungu yiziziye ibihugu vya Afrika gusa. Ni ivy'ukuri ?**

Oya, Sentare mpanavyaha mpuzamakungu yitaho ibihugu vyose vyemeye ububasha bwayo kandi ivyo bihugu biri mu bice vyose vy'isi.

Ibihugu vyo muri Afrika vyarashimikiye cane ishingwa rya Sentare kandi vyarafashije gufata ingingo y'ugushinga ibiro vy'Umushikirizamanza vyigenga. Muri 1997, Ishirahamwe ry'iterambere rya Afrika yo mu bumanuko yari yarashigikiye yivuye inyuma ishingwa rya Sentare; ivyo ryamenyesheje kur'ico kibazo, vyaremejwe n'abari mu nama y'abanyafrika yabereye Dakar( muri Senegal) muri Ruhuhuma 1999, « muvyo batangaje kw'ishingwa rya Sentare mpanavyaha mpuzamakungu ». Mu nama y'i Roma, amajambo ahambaye kurusha ayandi kuri Sentare yavuzwe n'abanyafrika. Iyo adashigikirwa n'ibihugu vyinshi vyo muri Afrika, kurubu ayo Masezerano ntiyokwigeze yemezwa. Kandi Afrika niyo ntara ifise abacamanza benshi ba Sentare. Ukwo kwizera n'ugushigikira Sentare ntibiva mu ma reta gusa , birava no mu mashirahamwe adaharanira ivyicaro vya politike yo mur'ivyo bihugu.

Kandi Sentare yarifashishije ubuhinga n'uburambe mu kazi bw'abanyafrika, kandi benshi muribo bafise amabanga ahambaye muri Sentare

Menshi mu matohoza Sentare yagize, yatanguye asabwe n'amareta yo muri Afrika canke Sentare ibanje kuyahanuza. Ayandi matohoza yatanguye bivuye ku Nama ishinzwe umutekano y'Ishirahamwe mpuzamakungu ONU irimwo abaserukira ibihugu vya Afrika .

Icanyuma, n'uko Ibiro vy'Umushikirizamanza biriko vyihweza ibintu vyagoranye mu bihugu vyo mu bice bine vy'isi

Cour
Pénale
Internationale

International
Criminal
Court

## II. Inzego za Sentare

Sentare mpanavyaha mpuzamakungu igizwe n'inzego zine : Ubuyobozi, Ibisata, Ibiro vy'Umushikirizamanza n'Ibiro by'iyandikwa ry'imanza. Urwego rwose rufise akazi n'amabanga bitandukanye .

### 17. Ubuyobozi bujejw'iki?

Ubuyobozi bwa Sentare bugizwe n'abacamanza batatu (Umukuru wa Sentare n'ivyegera vyiwe bibiri ) batowe baronse amajwi mirongo itanu kw'ijana arenze ko ijwi rimwe mu bacamaza 18 ba Sentare, bakamara ikiringo c'imyaka itatu gishobora kwongezwa rimwe.

Ubuyobozi bwa Sentare bushinzwe gutunganya ingene Sentare ikora ; ariko sibwo bujejwe Ibiro vy'umushikirizamanza. Ubuyobozi bujejwe guserukira Sentare mu migenderanire n'abanywanyi bo hanze n'ugufasha ingene ibikorwa vy'abacamanza bitungana. Ubuyobozi burarangura n'ayandi mabanga kandi burihwabira kuraba ko ibihano Sentare yaciriye abakoze ivyaha bikurikizwa.

### 18. Ibisata bikor'iki ?

Abacamanza 18, harimwo abacamanza batatu babayobozi , bagabanganijwe mu bice bitatu vya Sentare : Igice kigira amatohoza y'intangamarara ( kirimwo abacamanza bashika batandatu), Igice c'intango gica imanza ( kirimwo abacamanza bashika batandatu ) n'igice gisubiramwo imanza( kirimwo abacamanza batanu). Bakorera mu Bisata : Ibisata by'ibanze bijejwe amatohoza ntangamarara ( kimwe kimwe kirimwo umucamanza umwe canke batatu), Ibisata by'intango bica imanza (kimwe kimwe kigizwe n'abacamanza batatu) n'Igisata gisubiramwo imanza (kigizwe n'abacamanza batanu). Ivyo abacamanza bakora n'ivyo bajejwe bisobanuye aha munsi ku Gisata kimwe kimwe : Ibisata by'ibanze bijejwe amatohoza y'intangamarara, Ibisata by'intango bica imanza n'Igisata gisubiramwo imanza.

### 19. Abacamanza batogwa gute?

Abacamanza n'abantu bafis'icubahiro cinshi nubugororotsi ntangere, bakwije ibisabwa mubihugu vyabo kugira barangure amabanga ahambaye mu butungane. Bose barafise uburambe bukwiye muvyo guca imanza nkizo Sentare ijejwe.

Abacamanza batorwa n'Inama y'ibihugu vyemeye Amasezerano y'i Roma hisunzwe ubumenyi bwabo bw'amategeko n'ivy'imanza mpanavyaha canke mu bindi bice bibereye vy'amategeko mpuzamakungu, nk'amategeko mpuzamakungu araba ukwitaho imbabare n'agateka ka zinamuntu Babwirizwa kuba bafise ubumenyi bwinshi ku bibazo bimwe bimwe, nk'ihohoterwa rigiririrwa abakenyezi n'abana.

Mu gutora abacamanza, baritaho gushiramwo abaserukira imirwi mikuru mikuru y'amategeko, ukuringaniza ibitigiri vy'abaserukira abagore n'abagabo n' abaserukira ibice vyose vy'isi .

Abacamanza bihwabira guca imanza ata karenganyo kandi mu buryo bubereye.

**20. Igisata c'ibanze kijejwe amatohoza ntangamarara gikora iki?**

Ibisata bijejwe amatohoza ntangamarara bigizwe n'umucamanza umwe, canke n'abacamanza batatu. Bifata ingingo ku bibazo bibonetse imbere yigihe c'ukuburanisha urubanza. Igisata c'ibanze kijejwe amatohoza ntangamarara gishinzwe umbambere kugenzura ingene Ibiro vy'Umushikirizamanza bikoresha ububasha bwaco ku vyerekeye amatohoza n'ugukurikirana abakekwa ko ivyaha, gukingira uburenganzira bw'abo bakurikiranwa, ubw'abakorewe ivyaha n'ubw'ivyabona mu gihe c'amatohoza n'ukwubahiriza intumbero nziza y'ibikorwa. Ibisata bijejwe amatohoza ntangamarara birafat'ingingo ku vyerekeye ugusohora imitahe y'uguhagarika abantu n'imitahe y'ukurenguka bibisabwe n'Ibiro vy'Umushikirizamanza; birafata n'ingingo ku vyerekeye ukwemeza ivyagirizwa abantu bakekwa ko bakoze ivyaha. Birashobora n'ugufata ingingo z'ukwakira ivyagoranye n'imanza , n'ugushira mwo abakorewe ivyaha mu gihe cibikorwa vy'amatohoza ntangamarara.

**21. Ibisata vya Sentare vy'intango bic'imanza bikora iki?**

Iyo imitahe y'uguhagarika abantu yasohotse n'ivyo bagiriza abantu bikaba vyemejwe n'igisata c'ibanze kijejwe amatohoza y'intangamarara, Umukuru wa Sentare arashinga igisata c'intango gica imanza, kigizwe n'abacamanza batatu, kugira bace urubanza.

Igisata c’intango gic’imanza kijejwe cane cane kwihwabira ko iburanishwa rikorwa mu butungane kandi bukanyaruka , uburenganzira bw’abakurikiranwa bwubahirijwe bikwiye, kandi bitaye ho cane ugukingira abakorewe ivyaha n’amasura . Igisata c’intango gica imanza kirafata n’ingingo y’ukwemerera abakorewe ivyaha bagakurikira iburanishwa ry’urubanza.

Igisata c’intango gic’imanza kirihweza ko umuntu akurikiranwa ata caha yakoze canke ko yagikoze; uwo muntu yagiriye icaha, aracirwa igihano c’ugupfungwa imyaka itarenga mirong’itatu canke igihano c’ugupfungwa ubuzima bwiwe bwose. Harashobora gufatwa ibihano vy’ukuriha amafaranga. Aho rero Sentare irashobora kandi gushinga ko umuntu yagiriye icaha ariha ivyo uwakorewe ivyaha yatakaje; ivyo bishobora kuba ari indishi, gusubiza ibintu yinavyo, canke kwuhagira.

**22.Amabanga makuru y’igisata gisubiramw’imanza ni ayahe?**

Igisata gisubiramwo imanza kigizwe n’umukuru wa Sentare n’abacamanza bane. Ababuranyi bose barashobora kwunguruza imanza zaciwe n’ibisata bijejwe amatohoza y’intangamarara cank’ibisata bic’imanza ubwambere , canke bakabisabira uburengazira. Igisata gisubiramw’imanza kirashobora kwemeza , gufuta canke guhindura imanza, hari mwo n’imanza zaciwe canke ibihano vyashinzwe , canke gutegeka ko urubanza rusubira kuburanishwa imbere y’ikindi gisata gic’imanza ubwambere.

Kandi irashobora gusubira mwo urubanza kuvyerekeye ingingo ntabanduka yafashwe kuvyo kwagira icaha canke ibihano.

**23. Ibiro vy’Umushikirizamanza bikora iki?**

Ibiro vy’Umushikirizamanza n’igisata cigenga muri Sentare, kijejwe kwakira n’ukwihweza amakuru yerekeye ingorane canke ivyaha Sentare ifitiye ububasha vyoba vyarakozwe, ukwiga ivyo bayirungikiye kugira barabe ko hari ifatiro rikwiye ry’ugutangura amatohoza ku caha c’ihonyabwoko, ivyaha vy’agahomerabunwa, ivyaha vyo mu ntambara, cake icaha c’agasomborotso, n’ukwitwarira abakoze ivyo vyaha muri Sentare.

Ayo mabanga niyo shingiro ry’ingene Ibiro vy’Umushikirizamanza bitunganije mu bice bitatu: i) Igice c’amatohoza kijejwe kugira amatohoza, navyo bikaba birimwo ukwegeranya n’ukwiga ivyemezo n’ukwumviriza abantu bakurikiranwa ko ivyaha,

abakorewe ivyaha n'amasura. Muri ayo mabanga, Amasezerano y'i Roma abwiriza Umushikirizamanza ko, mu kurondera ukuri, agira amatohoza kugira yagirize abakoze ivyaha kandi yeze abataco bagirizwa; ii) Igice c'ugukurikirana imanza gishinzwe cane cane gushikiriza imanza Ibisata bitandukanye vya Sentare; iii) Igice kiraba ivy'ububasha, iyuzuzanya n'ugufashanya kiriga, gifashijwe n'igice kijejwe amatohoza, amakuru yabonetse canke ivyashikirijwe Sentare, kikihweza iyakigwa ry'ivyo vyashikirijwe Sentare n'imanza kandi kikagerageza kugira ngo Ibiro vy'Umushikirizamanza bironke ababifasha nkuko akazi kavyo kabisaba.

**24. Ibiro vy'iyandikiro ry'imanza bikora iki?**

Ibiro vy'iyandikiro ry'imanza bifasha Sentare kuburanisha imanza mu butungane, ataho ihengamiye kandi icese. Bijejwe cane cane gushigikira Ibisata vya Sentare n'Ibiro vy'Umushikirizamanza mukubiha uburyo bikeneye kugira bishobore kurangura amabanga yavyo. Ivyo biro birafasha Umwanditsi w'imanza mu kazi ajejwe mubiraba abakurikiranwa , abakorewe ivyaha , gutanga amakuru nivy'umutekano. Bijejwe kandi kuraba ko Sentare ifise uburyo ikeneye n'ugutunganya neza ivyerekeye ugufasha abakorewe ivyaha , amasura n'abashingwamanza, kugira ngo uburenganzira bwabo bukingigwe nkuko Amasezerano y'i Roma n'amategeko agenga iburanishwa ry'imanza n'ivyemezo abishinga.

Kubera Ibiro vy'iyandikiro ry'imanza ari rwo rwego rwemejwe rw'ukumenyesha amakuru ya Sentare, ni rwo rujejwe ibikorwa vy'ugusigura n'ukumenyekanisha Sentare



**III. Ivyaha Sentare ifitiye ububasha**

**25. Ivyaha Sentare ifitiye ububasha n'bihe?**

Sentare ijejwe gucira imanza abantu; nticira imanza ibihugu; itegeka abantu kwisigura ku vyaha bikomeye cane bibabaza amakungu yose, ivyo bikaba ari icaha c'ihonyabwoko, ivyaha vyo mungwano, ivyaha vy'agahomerabunwa n'icaha c'agasomborotso, iyo ibisabwa bikwiye kugira ngo ikoreshe ububasha bwayo kur' iki caha ca nyuma.

**26. Icaha c'ihonyabwoko n'iki?**

Hakurikijwe insiguro yo mu masezerano y'i Roma , icaha c'ihonyabwoko n'icaha ico ari co cose muri ibi bikurikira, gikorwa mu ntumbero yo gutikiza umugwi canke igice c'umugwi w'abanyagihugu, abasangiye ubwoko, urukoba canke idini, muri ubu buryo bukwirikira :

• Ukwica abasangiye umugwi;

• Ugusinzikaza birenze urugero ubuzima bw'abantu canke guturubika abasangiye umugwi;

• Ugusinzikaza birenze urugero ubuzima bw'abantu canke guturubika abasangiye umugwi;

• Ugufata ingingo zibuza abasangiye umugwi kurondoka;

• Ukwimura abana ku nguvu bava mu mugwi baja mu wundi.

**27. Ivyaha vy'agahomerabunwa n'ibihe?**

Ivyaha vy'agahomerabunwa n'ivyaha bikogwa mu gihe c'igitero gikuzako canke kidasobanura cakorewe a banyagihugu bose batari abarwanyi kandi kikaba kizwi. Ico gitero kikaba cabereyemwo ibikurikira:

• Ubwicanyi;

• Uguhonya abantu;

• Ugushira abantu mu buja;

• Ukwangaza canke ukwimura ku nguvu ababa mu gihugu;

• Ugupfunga;

• Ugusinzikaza ubuzima;

• Ugusambanya ku nguvu, ugushira mu buja bw’ubusambanyi, uguhatira ku mwuga w’ubusambanyi, ugutera inda ku nguvu, ukugumbahisha ku nguvu canke ikindi caha cose gikomeye c’amabi ameze nk’ayo ajanye n’ugusambanya ku nguvu;

• Uguhama umugwi w’abantu uboneka kubera imvo za poritike, iz’urukoba, iz’ubwenegihugu, iz’ubwoko, iz’imico kama, iz’idini canke izifatiye ku gitsina;

• Ukunyuruza abantu ku nguvu;

• Ukuvangura amoko;

• Izindi nyifato nk’izo z’ugufata ikiremwa muntu bunyamaswa, bituma n’impaka haba ububabare bwinshi canke ugusinzikaza birenze urugero ubuzima bw’umuntu canke amagara yo ku mubiri canke yo mu mutwe.

**28. Ivyaha vyo mu ntambara ni ibiki?**

Ivyaha vyo mu ntambara ni ivyaha bikomeye bitegekanijwe mu Masezerano y'i Genève n’ubundi buryo bwo kurenga bimwe bikomeye amategeko n’imigenzo yo mu ntambara z’ibihugu  canke intamabara zitari iz’ibihugu, nkuko bitegekanijwe n’Amasezerano y’i Roma, iyo ivyo vyaha vyakozwe biteguwe canke bikurikiza intumbero ya poritike canke bikorerewe  abantu benshi.

Aho harimwo amabi akurikira:

• Ubwicanyi;

• Uguca ibihimba vy’umubiri, ugufata abantu bunyamaswa n’ugusinzikaza;

• Ukugira imbohe;

• Ugutera n’impaka abanyagihugu batari abarwanyi;

• Ukugaba ibitero n’impaka ku nyubakwa zigenewe idini, inyigisho, ubuhinga kama, ubumenyi canke ibikorwa vy’ubugiraneza, ivyibutso vy’akahise, ibitaro;

• Ugusahura;

• Ugusambanya ku nguvu, ugushira mu buja bw’ubusambanyi, ugutera inda ku nguvu canke ubundi buryo bw’ugukubagura bufatiye ku gitsina;

• Ukwinjiza abana bari munsi y'imyaka icumi n'itanu mu ntwaramiheto z'ibihugu canke mu mirwi y'abarwanyi canke ukubakoresha bo nyene mu bikorwa vy'indwano.

**29. Icaha c'agasomborotso n'iki?**

Nkuko gisigurwa n'Inama y'ibihugu bihurikiye mu masezerano y'i Roma yabereye i Kampala ( mu Buganda) kuva kw'igenekerezo rya 31 Rusama gushika kw'igenekerezo ry'11 Ruheshi 2010 yakoranye kugira hasubigwe mwo Amasezerano y'i Roma, icaha c'agasomborotso cerekeye igihugu kijanye n'ugutegura, guha intumbero, gutangura canke gutera ikindi gihugu hakoreshejwe ibirwanisho , guhungabanya ubwigenge bwaco, gushaka kwigarurira igice c'igihugu canke kugisubiza mu buja.

Ivyaha vy'agasomborotso birimwo ukwinjira mu gihugu, ugufata canke ugutwara igice ku nguvu, ugupfunga ibivuko canke inkengera, iyo uravye ubwoko, uburemere n'inkwirikizi vyavyo, biboneka neza ko ivyo vyaha vyarenze cane amasezerano y'Ishirahamwe mpuzamakungu ONU.

Uwabikoze ni umuntu afise ubushobozi bw'ukugenzura canke gutwara ivyerekeye politike canke igisirikare mu gihugu.

**30. Sentare izoshobora gukoresha ryari ububasha bwayo ku vyerekeye ivyaha vy'agasomborotso?**

Sentare izoshobora gukoresha ububasha bwayo ku vyerekeye ivyaha vy'agasomborotso iyo ibihugu bingana n'ibice bibiri kuri bitatu vyavyemeye inyuma y'igenekerezo ryambere Mukakaro 2017, ninyuma yuko ingingo nshasha zerekeye ico caha zamaze kwemezwa n'ibihugu 30.

**31. Hasabw'iki kugira Sentare ikoreshe ububasha bwayo ku caha c'agasomborotso?**

Sentare izoshobora gukoresha ububasha bwayo kugira ngo ice imanza zerekeye icaha c'agasomborotso icarico cose cakozwe n'igihugu cemeje Amasezerano y'i Roma, kiretse ico gihugu caramaze kumenyesha ko kitemera ububasha bwayo ku vyerekeye ico caha.

Atari mu gihe Sentare yashikirijwe urubanza n’Inama ijejwe umutekano y’Ishirahamwe mpuzamakukungu ONU, Sentare ntifise ububasha bw’ugukurikirana icaha c’agasomborotso cakorewe mu gihugu kitemeje Amasezerano y’i Roma  canke cakozwe n’abantu bava muri ico gihugu.


Sentare ntishobora gukoresha ububasha bwayo atari igihe ivyaha vy’agasomborotso vyakozwe inyuma y’umwaka ukurikira iyemezwa n’ibihugu 30 ry’ivyahinduwe ku masezerano y’I Roma vyerekeye icaha c’agasomborotso vyemewe n’Inama y’ibihugu bihurikiye muri ayo masezerano mu kwezi kwa Ruheshi 2010.

**32. Amatohoza yerekeye icaha c’agasomborotso atangura gute?**

Iyo Inama ijejwe umutekano y’Ishirahamwe mpuzamakungu ONU isanze harabaye icaha c’agasomborotso, Umushikirizamanza wa Sentare mpanavyaha mpuzamakungu arashobora gufata ingingo y’ugutangura amatohoza igihe ibisabwa nkuko vyerekanywe hejuru bikwiye.

Umushikirizamanza arashobora kandi kwihweza ingene ibintu bimeze, hanyuma akurikije ivyo yabonye, akabimenyesha Umunyamabanga mukuru wa ONU.

Haheze amezi atandatu kuv’igihe Umushikirizamanza yabimenyesha, Inama ijejwe umutekano y’Ishirahamwe mpuzamakukungu ONU itarabona ko habaye icaha c’agasomborotso, Umushikirizamanza arashobora gutangura amatohoza yerekeye icaha c’agasomborotso ariko yabanje guhabwa uruhusha n’Igisata kijejwe amatohoza y’intangamarara



## IV. Sentare mpanavyaha mpuzamakungu ikora gute ?

### A. Ukurungik'imanza, kwihweza n'ukugir'amatohoza

**33. Imanza zishik'imbere ya Sentare gute?**

Igihugu cose cemeje Amasezerano y'i Roma kirashobora gusaba Umushikirizamanza gutangura amatohoza. Iguhugu kitemeje Amasezerano y'i Roma kirashobora kwemera ububasha bwa Sentare ku vyaha vyakorewe mu gihugu canke vyakozwe n'umunyagihugu waco, kigasaba Umushikirizamanza kugira amatohoza. N'Inama ijejwe umutekano y'Ishirahamwe mpuzamakukungu ONU irashobora gutura urubanza Sentare.

**34. Ibiro vy' Umushikirizamanza birashobora gufata ingingo y'ugutangura amatohoza ari vyo vyibwirije?**

Ego. Birashoshobora gutangura amatohoza bivyibwirije iyo bifise amakuru yokwizegwa ku vyaha vyakozwe n'abantu bava mu gihugu cemeje Amasezerano y'i Roma canke mu gihugu cemeye ububasha bwa Sentare canke ivyaha vyakorewe mu gihugu kimwe muri ivyo kandi iyo ivyo Biro vyabonye ko hari ho ifatiro rikwiye kugira ngo bitangure amatohoza. Ayo makuru ashobora gutangwa n'abantu, n'amashirahamwe agizwe n'ibihugu canke ayatagizwe n'ibihugu canke akava ahandi hose hakwiye kwizegwa. Umushikirizamanza abwirizwa guhabwa uruhusha n'abacamanza b' Igisata kijejwe amatohoza y'intangamarara imbere y'ugutangura amatohoza ari we avyibwirije.

**35. Bigenda gute iyo bituye Sentare kugira ngo itangure amatohoza ku bintu vyabaye?**

Ibiro vy'Umushikirizamanza birerekana ko, uko bibibona, Sentare ifise ububasha ku vyaha vyavuzwe. Amaze kwihweza neza amakuru yabonetse, arafata ingingo ko hari ifatiro rikwiye ry'ugutangura amatohoza canke yoyareka. Abwirizwa kwerekana ko hari ivyaha vy'ihonyabwoko, ivyaha vy'agahomerabunwa n'ivyaha vyo mu ntambara vyoba vyarakozwe. Hanyuma bibaye vyo, akaraba ko vyoba vyakozwe inyuma y'igenekerezo ryambere Mukakaro 2002. Abwirizwa kandi gutohoza ko ababijejwe mu gihugu batanguye amatohoza canke gucira imanza uko bikwiye abantu boba barakoze ivyo vyaha. Kandi abwirizwa kumenyesha Ibihugu bihurikiye mu masezerano y'i Roma n'ibindi bihugu vyoba bifise ububasha ko agomba gutangura amatohoza.

**36. Amatohoza agirwa gute?**

Ibiro vy'Umushikirizamanza birarungika abagira amatohoza kugira begeranye ivyemezo mu turere twakorewe mwo ivyaha. Abagira amatohoza barihwabira kwirinda ko hagira igishobora kubangamira abakorewe ivyaha n'ivyabona. Kandi arasaba ibihugu n'amashirahamwe mpuzamakungu ko bifasha kandi bishigira abakora amatohoza. Abagira amatohoza barondera ivyemezo vyerekana ko uwukekwako icaha yagikoze canke ko kitamwagira.

**37. Sentare mpanavyaha mpuzamakungu izokurikirana abantu bose bakekwa ko bakoze ivyaha bikomeye cane?**

Oya, Sentare ntizoshobora kujana imbere y'intahe abantu bose bakekwa ko bakoze ivyaha bibabaza amakungu yose. Ibiro vyUmushikirizamanza vyihwabira gukora amatohoza n'ugukurikirana abantu bagize uruhara runini kurusha abandi mu vyaha, hakurikijwe ivyemezo vyegeranijwe.

**38.Izindi nzego zirashobora gucira imanza abakoze ivyaha Sentare idakurikirana ?**

Hisunzwe ingingo ngenderwako y'ukwuzuzanya, inzego zijejwe ubutungane mu bihugu ziguma zijejwe gucira imanza abakoze ivyaha.



**B. Ugufata abantu**

**39. Ni nde afise ububasha bw'ugutanga umutahe w'ugupfunga abantu canke umutahe w'ukwitaba ?**

Iyo amatohoza yatanguye, Ibisata bijejwe amatohoza y'intangamarara ni vyo vyonyene bishobora , bibisabwe n'Umushikirizamanza , gutanga umutahe w'ugupfunga umuntu canke uw'ukurenguka, iyo har'imvo zifadika z'ukwemera ko umuntu akurikiranwa yakoze icaha Sentare ifitiye ububasha .

**40. Amakuru abacamanza babwirizwa guhabwa n'Umushukirizamanza imbere y'ugutanga umutahe w'ugupfunga canke umutahe w'ukwitaba ni ayahe?**

Mugusaba isohora ry'umutahe w'ugupfunga umuntu canke umutahe w'ukurenguka, Ibiro vy'Umushikirizamanza bibwirizwa gushikiriza abacamanza amakuru akurikira :

- Izina ry'umuntu ;
- indondoro ry'ivyaha akurikiranwa ko;
- incamake y'ivyabaye ( ivyakozwe bikekwa ko ari ivyaha);
- icegeranyo c'ivyemezo vy'icaha ;
- imvo zituma Umushikirizamanza abona ko bikenewe gupfunga umuntu .

**41. Imvo zituma umutahe w'ugupfunga umuntu usohoka n'izihe ?**

Abacamanza basohora umutahe w'uguhagarika umuntu iyo bikenewe kugirango uwo muntu aze arenguke , kugirango ntaze abere intambamyi amatohoza canke ngo yonone iburanishwa ry'urubanza kandi kugirango ntaze abandanye gukora ivyaha.

**42. Hab'iki iyo umutahe w'uguhagarika umuntu wasohotse ?**

Umwanditsi w'imanza ararungikira igihugu biraba canke ibindi bihugu , akurikije ingingo yafashwe mu rubanza rumwe rumwe , urwandiko rw'ugusaba ivyo bihugu ngo bifashe guhagarika n'ugutanga abakekwa ko bakoze ivyaha.

Iyo umuntu amaze gufatwa, Sentare ibimenye, ic'ikora ibikenewe kugira uwo muntu aronke ikopi y'umutahe w'ukumupfunga, mu rurimi yumva kandi avuga neza.

**43. Sentare mpanavyaha mpuzamakungu irashobora guhagarika abakekwa ko bakoze ivyaha?**

Sentare mpanavyaha mpuzamakungu ntifise igiporisi cayo. Yizera gufashanya n'ibihugu kandi ivyo ni ngombwa kugira abakekwa kw'ivyaha bahagarikwe bongere bashikirizwe Sentare.

Nkuko Amasezerano y'i Roma abitegekanya, ibihugu bihurikiye muri ayo masezerano birafashanya mu buryo bwose na Sentare mu matohoza no mu gukurikirana ivyaha Sentare ifitiye ububasha.

**44. Ni nde abwirizwa gukwirikiza imitahe y'ugupfunga abantu?**

Ibihugu ni vyo bijejwe gukwirikiza imitahe y'ugupfunga abantu. Igihe ibihugu vyashinga Sentare mpanavyaha mpuzamakungu, vyashize ho uburyo buhagaze ku nkingi zibiri : Sentare ni inkingi yerekeye ivy'imanza hanyuma ibihugu bikaba inkingi nshingwabikogwa ijejwe n'ugukurikiza ingingo za Sentare. Ibihugu vyemeje amasezerano y' i Roma bibwirizwa gufashanya na Sentare nkuko bikenewe. Iryo tegeko ry'ugufashanya ridakurikijwe, Sentare irabibona igaca ibishikiriza Inama y'ibihugu vyemeje amasezerano y'i Roma. Iyo ari Inama ijejwe umutekano y'Ishirahamwe mpuzamakungu ONU yashikirije urubanza Sentare , ibihugu vyose bihurikiye muri ONU, ivyemeje amasezerano y'i Roma n'ibitayemeje, bibwirizwa gufashanya na Sentare. Ivyaha Sentare ifitiye ububasha n'ivyaha bibi cane bibabaza amakungu yose kandi, nkuko ingingo ya 29 y'Amasezerano y'i Roma abitegekanya, ntibita igihe kubera iminsi bimaze. Imitahe y'ugupfunga abantu irahaguma igihe cose Sentare ataco irayihindura ko. Abantu baronderwa n'imitahe babwirizwa kurenguka imbere ya sentare, bitebe bitebuke.

**45. Hab'iki iyo umuntu yapfunzwe ?**

Umuntu wese yafashwe aca ashikirizwa urwego rubijejwe rwo mu gihugu yafatiwemwo kugira rurabe ko umutahe werekeye uwo muntu nyene, ko amategeko yubahirijwe mu kumuhagarika n'uko uburenganzira bwiwe bwubahirijwe. Iyo ingingo y'ugutanga uwo muntu yafashwe, baca bamushikiriza Sentare kugira apfungirwe mw'ibohero riri i La Haye, mu Buholandi.

**46. Mw'ibohero ry'i La Haye hameze gw'iki?**

Ibohero ry'i La Haye rirubahiriza , kuvyerekeye ingene abapfunzwe bafatwa, ingingo zemejwe n'amakungu mu bijanye n'agateka ka zina muntu . Akarorero: ingingo zitohara z'Ishirahamwe mpuzamakungu ONU. Urwego rwigenga rujejwe kugenzura ingene mw'ibohero hameze n'ingene abanyororo bafashwe rwama ruja kugenzura ibohero rutateguje.

Umunsi utegekanijwe mu buryo abantu bapfunzwe bashobora gutembera ku kibuga c'ibohero, bakagira imyimenyerezo, bakivuza, bagakora ibikorwa bakoresha amaboko, n'ibikoresho bahawe kugira bategure imburano. Ibohero rirafise kandi ivyuma vyubuhinga ngurukanabumenyi, hagategugwa n'inyigisho z'ukwungura ubwenge, inkino n'ivy'ukumarana irungu. Abapfunzwe barashobora gukoresha imashini nyabwonko, bakaraba imboneshakure canke bagasoma ibitabo n'ibinyamakuru. Abadafis'uburyo barashobora gukoresha telefone batarishe kugira bavugane n'ababafasha kuburana mu masaha y'akazi. Icumba cose gifise imetero kwadarato 10 kandi giteguriwe umuntu umwe gusa. Icumba gisanzwe kiri mwo uburiri, imeza yo gukorera ko, utubati two kumanikako ibintu, akabati k'impuzu, ah'ugukarabira, ah'ukwihagarika, imboneshakure n'itelefone y'uguhamagara abacunze ibohero iyo icumba cugaye n'urupfunguzo.

Sentare ibagaburira gatatu ku munsi ariko abapfungwa barashobora gukoresha igikoni rusangi iyo bashaka kwitegurira ibifungugwa. Hariho n'urutonde rw'ibintu bigurishwa; barashobora kugura uko bishobotse ibintu bindi boba bakeneye .

Umuntu apfunzwe arashobora kuramutswa n'incuti ziwe kenshi ku mwaka , mbere na Sentare ikabarihira, uko bishobotse, iyo vyerekanywe ko uwo mupfungwa ari ntahonikora

Abantu baciriwe urubanza bakagira ivyaha Sentare ifitiye ububasha ntibapfungirwa mw'ibohero ry'i La Haye kuko ritagenewe abapfungwa igihe kirekire. Umuntu wese yagiriye icaha aca arungikwa mw'ibohero ritari mu Buholandi , riri mu gihugu catowe na Sentare mu bihugu vyemeye kwakira umuntu yaciriwe urubanza kugira apfungigwe yo. Igihano c'umunyororo gishobora guhindurwa n'abacamanza ba Sentare bonyene. Uwaciriwe igihano arashobora kwitura Igisata ca Sentare gisubira mwo imanza agasaba ko gisubira mwo urubanza ku vyerekeye icaha n'igihano.



**C. Uburenganzira bw'abakekwa ko icaha**

**47. Abakekwa ko icaha baca baciriw'igihano kubera bashikirijwe Sentare?**

Oya. Umuntu wese yitwa ko ata caha kimwagira igihe cose Sentare itarerekana ko yagiriye icaha. Umushikirizamanza abwirizwa gutanga ivyemezo vy'icaha; Igisata ca Sentare gic'imanza ubwambere ntigishobora gucira umuntu igihano kitamaze kwumva ata gukekeranya namba ko ivyaha bikurikiranwa vyakozwe.

**48. Uburenganzira bw'abakekwa ko icaha n'ubuhe?**

Umuntu akekwako icaha yitwa ko ata caha afise. Ararenguka mu ntahe y'icese igihe c'iburanishwa kandi afise uburenganzira bw'ukuburana, Sentare ikamwumviriza ku mugaragaro , ata karenganyo kandi ataho ihengamiye. Kugira ivyo bishoboke, hari uburenganzira butegekanijwe mu mategeko ya Sentare. Uburenganzira bumwe bumwe n'ubu bukurikira :

• Ugufashwa kuburana n'Umushingwamanza yitoreye, ugutanga ivyemezo, guhamagara amasura ashaka n'ugufata ijambo mu rurimi yumva kandi avuga neza;

• Kumenyeshwa neza ivyaha yagirizwa vyose mu rurimi yumva kandi avuga neza ;

• Kuronka umwanya n'uburyo bwose akeneye kugira ategure imburano kandi ashobore kuvugana n'Umushingwamanza wiwe mu mwidegemvyo kandi mw'ibanga;

• Gucirwa urubanza bidatevye cane ;

• Kutabwirizwa kwisurira nabi canke kwemera icaha ku gahato, ugucereza kandi ivyo ntivyisungwe mu kwemeza icaha canke ukutagirwa n'icaha;

• Ukurekurirwa ko Umushikirizamanza aha Umushingwamanza ivyemezo vyose afise abona ko bishobora gukura icaha ku wukurikiranwa canke bisa n'ivyogabanya icaha canke bishobora gusambura ivyemezo vy'ivyo yagirizwa.

**49. Bigenda gute iyo ukekwako icaha adafise uburyo bw'ukuriha umushingwamanza?**

Ukekwako icaha arafise uburenganzira bw' ugufashwa kuburana n' umushingwamanza igihe cose bikenewe ku neza y'ubutungane , kandi Sentare ikamuronkera uwumufasha kuburana , iyo adafise uburyo bw'ukumuriha


**50. Abapfunzwe barashobora kurekurwa vy'agateganyo barindiriye kuburana?**

Umuntu wese apfunzwe arafise uburenganzira bw'ugusaba kurekurwa vy'agateganyo arindiriye gucirwa urubanza. Bamwankiye, ingingo yafashwe ija irasubira kwihwezwa n'Igisata kibijejwe, uko iminsi itarenga 120 ihera, kandi ico Gisata kirashobora kubigira igihe cose kibisabwe n'umuburanyi canke n'Umushikirizamanza.

**51. Ibiro vy'abashingwamanza bafasha abakurikiranwa kuburana (BCPD) bijejwe iki ?**

Ibiro vy'abashingwamanza bafasha abakurikiranwa kuburana (BCPD) bifasha kwubahiriza n'ukuvugira uburenganzira bw'abafasha abakurikiranwa kuburana; ivyo biro birakora ubushakashatsi kandi buragerageza kwumvisha neza ibibazo nkoramutima biriho ku vyerekeye gufasha abakurikiranwa kuburana bakongera bakageza kwumvisha ko ingingo ngenderwako y'ukugira uburyo bungana ikwiye kwubahirizwa mu bihe vyose vy'amatohoza canke vy'ukuburanisha.

Naho ivyo biro bikukira Iyandikiro ry'imanza ku vyerekeye ugutungany'uburyo , birigenga mukurangura amabanga yavyo.



**D. Ukwemezwa kw'ivyaha imbere y'iburanisha ry'urubanza**

**52. Abakekwa kw'ivyaha bashitse i La Haye bategerezwa guca barenguka imbere ya Sentare?**

Ego.Uwukekwa kw'ivyaha ashitse i La Haye arenguka ubwambere imbere y'Igisata c'ibanze kijejwe amatohoza y'intangamarara haheze igihe cumvikana. Mu ntahe y'icese arengutsemwo ubwambere, Igisata c'ibanze kijejwe amatohoza y'intangamarara gica kiraba ibiranga uwukekwako ivyaha n'ururimi azoshobora gukurikira mwo urubanza. Uwukekwa kw'ivyaha aramenyeshwa ivyo akurikiranwako. Abacamanza baca bashinga igenekerezo ry'intahe c'icese y'ukwemeza ivyaha.

Intahe y'icese y'ukwemeza ivyaha siy'ukuburanisha, n'intahe y'icese y'intangamarara, aho Umushikirizamanza atanga ivyemezo bikwiye kugirango urabanza ruje kuburanishwa.

Uwukurikiranwa arashobora guhakana ivyaha, akishura ivyemezo vyatanzwe n'Umushikirizamanza kandi agatanga nawe ivyemezo.

Intahe y'icese y'ukwemeza ib'irimwo Umushikirizamanza, uwukurikiranwa n'umushingwamanza amufasha kuburana n'abaserukira abakorewe ivyaha. Nkuko ingingo ya 61 y'amasezerano y'i Roma abitegekanya, uwukekwako ivyaha arashobora kureka kurenguka muri iyo ntahe y'icese.

**53. Ingingo igisata c'intango kijejwe amatohoza y'intangamarara gishobora gufata inyuma y'intahe yukwemeza ivyo bagiriza uwukurikiranwa nizihe?**

Inyuma y'intahe yukwemeza ivyo bagiriza uwukurikiranwa, igisata c'ibanze kijejwe amatohoza y'intangamarara gishobora gufata ingingo zikwirikira:
- Kwanka kwemeza ivyaha vyagirizwa uwukurikiranwa, kizi neza ko iyo ngingo itabuza Umushikirizamanza gusubira gusaba irindi yemezwa ry'ivyaha azanye ibindi vyemezo ;
- Gusivya intahe n'ugusaba Umushikirizamanza kuraba ingene yozana ibindi vyemezo canke akagira ayandi matohoza canke naho agahindura ivyo yagiriza asanze ivyemezo biriho vyerekana ko hakozwe ikindi caha ;
- Kwemeza ivyaha nukurungika urubanza kuburanishwa. Ivyaha bimaze kwemezwa, Umukuru wa Sentare aca ashinga Igisata c'ibanze gic'imanza kijejwe intambwe ikwirikira: kuburanisha.

**54. Ivyaha vyemejwe, vyoca bivuga yuko uwupfunzwe yagiriye ivyo vyaha?**


Oya. Ico intahe yo kwemeza ivyaha vyagirizwa ikwirikirana n'ugukingira agateka k'abikekwako ivyaha, ibuza ko bohava babakoresha ko amategeko agenda iburanishwa ry'imanza adafise ifatiro rikwiye. Mugihe c'amatohoza y'intango, Umushikirizamanza arinda gushigikiza icaha kimwe kimwe yagiriza ivyemezo bikwiye kugira yerekane ko hari ibituma bifadika vyemeza kuwo muntu yakoze ico caha yagirizwa.

Hagize icaha na kimwe cemezwa, urubanza ruca rurungikwa imbere y'igisata kimwe gic'imanza umbwa mbere.

**55. Hab'iki iyo ivyaha vyemejwe ?**

Ivyaha bimaze kwemezwa, Igisata kijejwe amatohoza y'intangamarara kirarungika urubanza mu Gisata gica imanza ubwambere kugira ruburanishwe : Ukuburanisha.

Imbere y'ugutangura kuburanisha urubanza, abacamanza b'Igisata gica imanza ubwambere barihweza ibibazo vyerekeye iburanishwa ry'urubanza ababuranyi babatuye , bagasasa mu ntahe y'icese kugira bategure iburanisha ry'urubanza kandi batunganye ibibazo vyerekeye iryo buranisha kugira ngo urubanza ruze ruburanishwe mu butungane kandi runyaruke.



**E. Iburanishwa ry'urubanza**

**56. Iburanishwa ribera he ?**
Iburanishwa ribera i La Haye, ku cicaro ca Sentare. Ariko abacamanza barashobora gusasira ahandi hatari mu Buholandi kandi ico kibazo carabajijwe mu manza nyinshi. Uwagirizwa abwirizwa kurenguka mu rubanza rwiwe, ruburanishwa mu ntahe y'icese, kiretse iyo Sentare yashinze ko urwo rubanza ruburanishwa mu mwiherero ku mvo z'ugukingira umutekano w'abakorewe ivyaha n'amasura canke kubera bikenewe kugumiza mw'ibanga amakuru y'ukwitondera yerekeye ivyemezo.

**57. Hab'iki iy'iburanishwa ritanguye?**
Igisata c'intango gic'imanza kirasomera uwukurikiranwa ivyaha yagirizwa bakongera bakamubaza ko yavyumvise neza. Araheza akaronka umwanya w'ukwishura ko avyemera canke abihakana.


**58. Bigenda gute iyo uwukurikiranwa yemanze icaha?**
Ica mbere, Igisata c'intango gic'imanza kibanza kwihweza neza ko uwagirizwa yatahuye neza ico ukwemera icaha bivuga n'inkwirikizi zavyo, kikaraba ko yemeye abishaka kandi yagishije inama neza umushingwamanza wiwe akongera akaba ahagaze ku vyaha vyakozwe nkuko bigaragazwa n'ivyemezo n'ivyaha vyashikirijwe n'Umushikirizamanza hanyuma bikemerwa n'uwukurikiranwa. Igisata c'intango gic'imanza kibonye ko ivyo bisabwa bikwiye, kirashobora guca gishinga ko uwukurikiranwa yagiriye icaha akurikiranwako. Kiramutse gisanze ko ivyo bisabwa bituzuye, gica gishinga ko atemanze icaha kandi, muri ico gihe, kigategeka ko iburanishwa ribandanya.

**59. Iburanisha rigenda ngw'iki ?**
Iburanisha riha Ibiro vy'Umushikirizamanza n'umushingwamanza afasha uwukurikiranwa uburyo bw'ugushikiriza imburano zabo.
Ibiro vy'Umushikirizamanza bibwirizwa gushikiriza Sentare ivyemezo bigaragaza icaha c'uwukurikiranwa ata gukekeranya namba. Ivyo vyemezo bishobora kuba ari inzandiko , ibindi bintu canke ivyavuzwe n'amasura. Ibiro vy'Umushikirizamanza bibwirizwa n'uguha uwukurikiranwa ico cose gishobora kwemeza ko ata caha kimwagira .

Ibiro vy'Umushikirizamanza nivyo bitangura gutanga insiguro zaco hanyuma agahamagara ivyabona kugira bisure. Bihejeje kubaza amasura, Umushingwamanza afasha uwukurikiranwa aca afat'ijambo kugira ngo nawe abaze ibibazo iyo sura.
Iyo Ibiro vy'Umushikirizamanza vyahejeje gutanga ivyemezo vyose gifise, uwukurikiranwa niwe aca aramukirwa kwiregura afashijwe n'Umushingwamanza

**60. Ninde ashobora gutanga ivyemezo?**

Impande zose z'ababurana zirashobora gutanga ivyemezo bijanye n'urubanza. Imbere y'amategeko, umuntu wese yagirizwa ivyaha aba yera, gushika biboneke ko yagiwe nicaha mururwo rubanza. Umushikirizamanza niwe abwirizwa gutanga ivyemezo vyuko uwagirizwa yagiwe nivyaha ata gukekeranya. Uwagirizw'icaha afise uburenganzira bw'ukubaza ibibazo amasura amwagiriza n'ugusaba ko ivyabona bimusurira birengutswa kandi bikabazwa nkuko vyagiriwe abamwagiriza.
Iyo harimw'inyungu z'abakorewe ivyaha, Sentare iremera ko ivyo abakorewe ivyaha biyumvira n'ibibaraj'ishinga bishikirizwa kandi bikihwezwa , mu bihe vyose vy'iburanishwa ry'urubanza Sentare ibona ko bikwiye kandi mu buryo butabangamira ntibunahushane n'uburenganzira bw'uwukurikiranwa n'ibituma iburanisha riba mu butungane kandi ataho rihengamiye. Ivyiyumviro n'ibibabaje abakorewe ivyaha birashobora gushikirizwa n'ababaserukira.
Mu rubanza rw'igenekerezo rya 11 Mukakaro 2008, Igisata c'iyungururizo caremereye abakorewe ivyaha uburenganzira bw'ugutanga ivyemezo vyuko uwukurikiranwa yagira icaha canke ata caha kimwagira, n'uguhakana ko ivyemezo vyakirwa canke bifadika, naho ubwo burenganzira bwemerewe ababuranyi, n'ukuvuga Umushikirizamanza n'uwukurikiranwa. Ubwo burenganzira busaba ivyangombwa bikomeye, hari mwo n'icemezo ko abakorewe ivyaha babifise mwo inyungu kandi ko ukubisaba bitabangamiye uburenganzira bw'uwukurikiranwa n'ibisabwa kugira ngo urubanza ruburanishwe neza.
Abakorewe ivyaha babwirizwa kwubahiriza ivy'uguhana amakuru kandi bakamenyesha ivyo basavye ababuranyi kandi bakubahiriza amategeko ya Sentare yerekey'ugukingira abantu bamwe bamwe. Mu guheraheza, abacamanza nibo bonyene bajejwe kwihweza ko ibisabwa bikwiye.



**F. Urubanza rwacitse n'igihano**

Ababuranyi bahejeje gushikiriza ivyabona vyabo, Umushikirizamanza n'uwukurikiranwa baca basabwa gushikiriza imburano ku munwa. Uwukurikiranwa niwe yama afat'ijambo ubwa nyuma. Abacamanza barashobora gutegeka ko abakorew'icaha bahabwa indishi ishobora kuba ari: ugusubizwa ibintu, kurihwa indishi canke ugusubizwa agateka. Mur'iyo ntumbero barashobora gufata ubwo nyene ingingo yerekeye uwaciriwe igihano.

**61. Sentare isoma urubanza ryari?**

Abacamanza bahejeje kwumviriza abakorewe ivyaha n'amasura yahamagajwe n'Umushikirizamanza n'uwukurikiranwa, hanyuma bakihweza ivyemezo, baremeza ko uwukurikiranwa yagira icaha canke yejejwe.
Urubanza rusomerwa mu ntahe y'icese kandi bishoboka, uwagirizwa, abakorew'ivyaha canke ababaserukira ariho bari, iyo bakurikiranye iburanishwa ry'urubanza.

**62. Ibihano Sentare ishobora gutanga ni ibihe?**

Abacamanza barashobora gucira uwakoze icaha igihano c'umunyororo , gishobora kwongerwako ihadabu canke ukwakwa inyungu n' amatungo vyavuye mu caha cakozwe. Sentare ntishora gutanga igihano c'ugupfa. Igihano c'umunyororo ntigishobora gurenga imyaka 30 ariko, bivuye k'ububi buhambaye cane bw'icaha , Sentare irashobora gutanga igihano c'umunyororo w'ubuzima bwose.

**63. Abaciriwe igihano c'umunyororo bapfungirwa he?**

Abantu baciriwe urubanza bapfungirwa mu gihugu catowe ku rutonde rw'ibihugu vyamenyesheje ko bishobora kwakira abaciriwe imanza.
Ingene abantu bapfungwa bigengwa n'amategeko y'igihugu kijejwe gushira mu ngiro igihano kandi birinda kuba vyubahiriza amategeko mpuzamakungu yemewe na bose ku vyerekeye ingene abapfunzwe bafatwa. Ubwo buryo ntiburinda kuba bwiza canke bubi kurusha ingene igihugu kijejwe gukurikiza igihano gifata abaciriwe ibihano kubera ivyaha bisa nivyo.

**G. Iyunguruza n'isubirwamwo**

**64. Ukwunguruza urubanza bishoboka ryari?**

Umuburanyi wese arashobora kwunguruza imanza zaciwe n'Igisata kijejwe amatohoza y'intangamarara canke Igisata c'intango gic'imanza.
Umushikirizamanza arashobora kwunguruza urubanza rwerekeye igihano caciwe canke ningingo y'ukurekura uwukurikiranwa ku mvo imwe mu zikurikira: inenge mu kuburanisha urubanza, ukwihenda gufatiye kugene ikintu kimeze canke gufatiye kumategeko. Uwaciriwe igihano n'Umushikirizamanza barashobora kwunguruza urubanza ku mvo yindi iyariyo yose ibangamiye ukutarenganya canke ituma iburanisha ritagenda neza canke urubanza rucika nabi, hakaba n'imvo ishimikiye ku busumbane buri hagati y'ingingo yafashwe nicaha.
Abaserukira abakorewe ivyaha , uwaciriwe igihano canke uwutunze ata buryarya ikintu cafatiwe ingingo y'ukuriha indishi ihabwa abakorewe ivyaha barashobora kwunguruza urubanza rwerekeye iyo ngingo.
Igisata c'iyungururizo kirashobora gufuta, guhindura ingingo canke igihano canke kigashinga ko urubanza rusubira kuburanishwa mu Gisata gic'imanza ubwambere kirimwo abandi bacamanza.

**65. Uwaciriwe igihano aguma apfunzwe igihe urubanza ruriko ruburanishwa mu Gisata c'iyungururizo?**

Kiretse Igisata gic'imanza ubwa mbere cafashe iyindi ngingo, uwaciriwe igihano aguma mw'ibohero igihe urubanza ruriko ruburanishwa mu Gisata c'iyungururizo. Ariko mu bisanzwe, baramurekura iyo iminsi yamaze apfunzwe irengeye igihano yaciriwe. Igihe yambitswe izera, uwukurikiranwa aca arekurwa ubwo nyene, hatibagiwe ivyoshika bidasanzwe.

**66. Urubanza rushobora gusubirwamwo ryari?**

Umuntu yaciriwe urubanza akagira icaha n'Umushikirizamanza barashobora kwitura Igisata c'iyungururizo basaba ko urubanza ntabanduka rwerekeye icaha n'igihano rusubirwamwo iyo habaye ibikurikira :

• Habonetse ikintu gishasha gihambaye;


• Bimenyekanye ko icemezo nyamukuru cakurikijwe mw'iburanisha kandi cishimikijwe mu kwemeza icaha kitari ic'ukuri, ar'icarementanijwe canke icongewe mwo ibinyoma;

• Umucamanza umwe canke benshi bakoze ikosa ry'agacamutwe canke bashaye ku mabanga yabo bimwe bihambaye gushika aho vyotuma babogozwa mu kazi hisunzwe Amasezerano y'i Roma.

**67. Bigenda gute iyo umuntu yafashwe agapfungwa bidaciye mu mategeko?**

Umuntu wese yafashwe canke yapfunzwe bidaciye mu mategeko abwirizwa guhabwa indishi.

Sentare irashobora gushinga indishi iyo vyerekanywe ko abajejwe ubutungane bihenze bimwe bikomeye kandi bigaragara.



## V. Uruhara rw'abakorewe ivyaha

### 68. Uwakorewe icaha n'icabona batandukaniye he ?

Uwakorewe icaha n'umuntu yahomvye ikintu kubera icaha Sentare ifitiye ububasha . Nkuko vyerekanywe ido n'ido aha munsi, Amasezerano y'i Roma araha uburenganzira bumwe bumwe uwakorewe icaha, hakaba hari mwo n'igishasha c'ukwemerera uwakorewe icaha gukurikirana iburanishwa ry'urubanza hatitaweho ivy'umushikirizamanza n'ivy'uwukurikiranwa. Abakorewe ivyaha barafise uburenganzira bw'ukuzana uwubaserukira mu ntahe y'icese n'ugushikiriza ivyiyumviro vyabo n'ibibaraje ishinga.

Icabona n'umuntu yishura ibibazo bijanye n'urubanza, agashikiriza Sentare ivyemezo, kenshi na kenshi vyasabwe n'Umushikirizamanza canke uwukurikiranwa.

### 69. Ninde Sentare ifata nk' «uwakorew' icaha»?

Uwakorew'icaha n'umuntu yagize agahombo k'ibintu canke umubabaro kubera icaha Sentare ifitiye ububasha. Amashirahamwe n'inzego birashobora kufatwa nk'ivyakorewe ivyaha iyo amatungo yavyo yagenewe idini, inyigisho, ubuhinga kama, ubumenyi canke ibikorwa vy'ubugiraneza yononekaye

Abacamanza ba Sentare ni bo batang'uruhusha, babanje kwihweza urubanza rumwe rumwe, kugira ngo abakorewe ivyaha bakurikirane iburanishwa ry'imanza muri Sentare. Abacamanza baratomora kandi ibihombo bibwirizwa kwibukwa : ukubangamira amagara y'abantu ; ukubabaza abantu ku mutima , n'ukuvuga iyo umutima w'umuntu wakomeretse kubera ivyamushikiye canke ivyo yabonye, canke agahombo k'ibintu kavuye ku gutakaza canke ukwononekara kw'ibidandazwa canke kw'amatungo.

### 70. Uburenganzira bw'abakorewe ivyaha n'ubuhe muri Sentare?

Muri sentare mpanavyaha mpuzamakungu abakorewe ivyaha bafise uburenganzira butari bwigere bwemerwa narimwe imbere ya Sentare mpanavyaha mpuzamakungu. Abakorewe ivyaha barashobora kugira uruhara mw' iburanishwa ry'urubanza muri Sentare mu buryo butandukanye :

• Abakorewe ivyaha barashobora kurungikira amakuru Umushikirizamanza kandi bakamusaba ko atangura amatohoza ;

• Abakorewe ivyaha barafise n'uburenganzira bw'ugutuma uwubaserukira gukurikirana iburanishwa ry'urubanza. Uwakorewe ivyaha arashobora gukurikirana iburanishwa ry'urubanza hanyuma agashikiriza abacamanza ivyiyumviro vyiwe n'ibimuraje ishinga. Abikurikirana ata gahato. Ubwo n'uburyo abakorewe ivyaha baronka kugira bashikirize iciyumviro cabo ataho gihuriye n'icumushikirizamanza canke icuwukurikiranwa hanyuma bakavuga ibibagoye n'bibijanye ninyungu zabo ;

• Mu bihe bimwe bimwe, uwakorewe ivyaha arashobora gusura avyishakiye mu rubanza ruriko ruraburanishwa muri Sentare, iyo yahamagawe ngo arenguke nk'icabona kugira asurire uwukurikiranwa, umushikirizamanza canke abandi bakorewe ivyaha bariko bakurikirana urwo rubanza ;

Kandi, abakorewe ivyaha barashobora gusaba indishi y'ivyo bahomvye.

**71. Abakorewe ivyaha bashobora gukurikirana iburanishwa ry'urubanza ngw'iki?**

Iyo Sentare ibonye bikwiye, abakorewe ivyaha barashobora kwishikiririza abacamanza ivyiyumviro vyabo, ibihe vyose vy'iburanisha. Mubisanzwe, iryo kurikirana ry'urubanza rigigwa n'uwuserukira abakorewe ivyaha (n'ukuvuga umushingwamanza) ajejwe gushikiriza ivyiyumviro vyabo n'ibibaraje ishinga, kuko ivyerekeye iburanisha ry'imanza mpanavyaha riragoye.

Kugira abakorewe ivyaha boroherwe mu gukurikiran'imanza , babwirizwa kwuzuza urupapuro rw'ugukurikirana urubanza. Abakorewe ivyaha barashobora gukura ikopi y'izo mpapuro ku rubuga rwa Sentare canke mu Gisata kijejwe gufasha abakorewe ivyaha bakurikirana imanza n'indishi i La Haye. Izo mpapuro zibwirizwa kurungungikirwa Igisata kijejwe gufasha abakorewe ivyaha bakurikirana imanza n'indishi i La Haye biciye kuri fax, mu muhora ngurukanabumenyi canke nk'ibaruwa (ibikenewe biri ngaha munsi).

Uwakorewe ivyaha akeneye uwumufasha kwuzuza izo mpapuro n'ukuzirungikira Sentare arashobora kubaza ico Gisata nyene.

**Igisata kijejwe abakorewe ivyaha bakurikirana imanza n'indishi kibarizwa ahakurikira :**

**Sentare mpanavyaha mpuzamakungu**

**Igisata kijejwe abakorewe ivyaha bakurikirana imanza n'indishi**

**Agasandugu ka Posita** 19519

2500 CM, I La Haye

Ubuholandi

**Fax :** +31 (0) 70 515 9100

**Adresse Courriel :** vprsapplications@icc-cpi.int

**72. Abakorewe ivyaha bose basangiye urubanza barashobora gukurikira iburanisha ?**

Abacamanza barihweza ivyo basabwe vyose, kimwe kimwe ukwaco, bagafata ingingo ko uwabisavye ashobora canke adashobora gukurikirana iburanisha muri Sentare n'ibihe vy'iburanisha.

**73. Abakorew' ivyaha babwirizwa kugenda ku cicaro ca Sentare i La Haye ?**

Mu bisanzwe, abakorew'ivyaha ntibabwirizwa kuja ku cicaro ca Sentare batabishaka. Abaserukira abakorewe ivyaha nibo bajejwe gushikiriza Sentare ivyiyumviro vyabo n'ibibaraza ishinga.

**74. Abakorew' ivyaha baronka gute uwubaserukira?**

Abakorew'ivyaha bashobora gutora uwubaserukira ata gahato igihe akwije ivyangombwa: Imyaka cumi mu kazi kerekeye imburano z'imanza mpanavyaha ari umucanza, umushikirizamanza canke umushingwamanza kandi akavuga neza ururimi rumwe muzo Sentare ikoresha (icongereza n'igifaransa). Ibiro vy'iyandikiro ry'imanza rya Sentare birafasha abakorew'ivyaha mugutora uwubaserukira mu kubaha urutonde rw'abashingwamanza bazi akazi. Hariho Ibiro vy'abashingwamanza bafasha abakorewe ivyaha bashobora kubaserukira

n’ukubafasha mu vyerekeye amategeko bakongera bagafasha abaserukira abo bakorew’ivyaha.

Iyo abakorew’ivyaha ari benshi, abacamanza barashobora kubasaba ko batora uwubaserukira umwe canke benshi bakabasangira. Ivyo vyitwa uguserukirwa rusangi kandi bigamije kuburanisha imanza neza.

**75. Bigenda gute iyo abakorew’ivyaha badafise uburyo bw’ukuronka uwubaserukira?**

Naho Sentare ifise uburyo buke bw’ugufasha mu vyerekey’ubutungane , irashobora gutanga amafaranga makeyi y’ugufasha. Kandi n’Ibiro vy’abashingwamanza bafasha abakorew’ivyaha birashobora gufasha abakorew’ivyaha mu vyerekeye ubutungane ataco barishe.

**76. Ibiro vy’abashingwamanza bafasha abakorew’ivyaha bijejw’iki ?**

Ibiro vy’abashingwamanza bafasha abakorew’ivyaha bifasha abakorew’ivyaha n’ababaserukira, muvyerekey’amategeko, kandi mubihe vyose vy’iburanisha, kukaba ar’ukubafasha kugira bakurikirane urubanza uko bikwiye kandi uburenganzira bwabo bwubahirizwe.

Ivyo biro bikukira Ibiro vy’iyandikiro ry’imanza kuvyerekeye uburyo akazi gatunganywa, ariko birigenga mukurangura amabanga yavyo.

**77. Sentare yob’ikingira abakorew’ivyaha bakwirikirana iburanisha ry’urubanza?**

Igisata kijejwe gukingira abakorew’ivyaha n’ivyabona kiri mu biro vy’iyandikiro ry’imanza kirashobora guhanura Sentare kungingo zoshobora gufasha gukingir’umutekano w’abakorewe ivyaha barengutse muri Sentare nabandi bantu bashobora kubangamigwa nivyo ivyabona vyasuye. Ico gisata kirategekanya ingingo zoshobora gukingir’umutekano wabo bantu bavuzwe aho hejuru. Inzego za Sentare zibwirizwa, mubikogwa zikorera hanze, gukuririza uburyo bwiza burondera gukingira umutekano wabo nuw’abo babonaye. Bitereye ko, ingingo zo gukingira zishobora kuba nk’izikwirikira : ukunyegez’amazina y’abakorew’ivyaha

bakwirikirana iburanishwa ry'urubanza, ugukoresha ayandi mazina, ukunyegeza inzandiko canke ukubuza kuzishira ahabona, canke ugukoresh'ubuhinga bw'ivyuma vy'ugufata amajwi n'amasanamu bishobora kunyegeza ibiranga umuntu yarengutse muri Sentare.

**78. Urubanza ruheze kuburanishwa abacamanza bashobora gushinga iki ku vyerekeye indishi y'abakorew'ivyaha ?**

Iyo gihejeje kuburanisha, Igisata gic'imanza ubwambere kirashobora gutegeka uwaciriwe igihano guha indishi abakorew' ivyaha, ku bijanye n'ivyaha vyamwagiriye. Indishi zishobora kuba iz'ubwoko bwinshi, hari mwo indishi y'amafaranga , ugusubiza amatungo, ingingo z'ukwuhagira, canke ingingo z'indishi yikimenyetso nk'ugusaba imbabazi canke ukwibuka.

Sentare irashobora gushinga indishi y'umw'umwe, canke indishi ya bose hakurikijwe ikibereye abakorew'ivyaha mu rubanza ruriko ruraburanishwa. Indishi ya bose irabangutse kubera ifasha abantu babana bose kugira basubire gutanug'ubuzima. Nk'akarorero, harashobora kwubakwa ibigo bifasha abakorew'ivyaha canke hagafatwa ingingo zugutegekanya ivyibutso. Bitereyeko, ibijugu bihurikiye mu Masezerano y'i Roma, vyarashinz'isandugu ry'ugufasha abakorewe ivyaha Sentare ifitiy'ububasha, n'imiryango yabo, kugira ngo hegeranywe amafaranga akwiye y'ugukurikiza ingingo za Sentare z'ukuriha indishi iyo uwaciriw'igihano adafis'uburyo bukwiye bw'ukuriha.

**79. Isandugu ryo gufasha abakorew'ivyaha rikor'iki ?**

Amasezerano y'iRoma yarashinze inzego zibiri zigenga : Sentarempanavyaha mpu zamakungu n'Isandugu ry'abakorewe ivyaha.Naho bidashoboka guhanagura rwos' agahombo n'ububabare vyatewe n'icaha c'ihonyabwoko, icaha c'agasomborotso, ivyaha vyo mu ntambara canke ivyaha vy'agahomerabunwa, birashoboka gufasha abarokotse,cane cane abatishoboye, gusubira gutangura ubuzima n'ugusubizwa agateka n'ikibanza cabo mu biwabo.

Isandugu ry'abakorew'ivyaha riharanira ineza y'abakorew'ivyaha kandi ku nyungu y'abo bakorew' ivyaha n'ababo, ryitura abantu, inzego zifis'uburyo n'amareta.

Riraha amafaranga canke rigashinga imigambi
izana ibintu bishasha bitorer'inyishu ibibazo vy'umubiri,
uburyo n'umutima vy'abakorewe ivyaha. Rirashobora kandi guterera agacumu k' ubumwe mu bikorwa igihe cose Sentare ibisavye.
Isandugu ry'abakorewe ivyaha rirashobora gukore' inezay'abakorewe ivyaha Sen tare yaciye igihano canke itabigize.
Rirarafashanya na Sentare kugira birinde abisuka mw'iburanishary'imanza ririko ri raba.

**80. Kugira uwakorew'amabi aronk'imfashanyo ategerezwa kuba yarakwirikirany'iburanishwa ry'urubanza ?**

Oya, uwakorew'amabi atakwirikiranye iburanishwa ry'imanza, arashobora cane gusab'indishi, ivyo bintu bibiri biratandukanye. Sentare iranashobora yo nyene kwibwiriza, igatang'indishi atawuyisavye.

**VI. Gukingira ivyabona**

**81. Nind'ashobora kub'icabona ?**

Ibiro vy'Umushikirizamanza, uwagirizw'ivyaha canke abakorew'amabi bakurikirana iburanishwa ry'imanza barashobora gusaba abahinga, abakorew'amabi canke uwundi muntu wese yabonye ivyabaye kuza gusura imbere ya Sentare.

**82. Ibiro vy'Umushikirizamanza bitora gute amasura ?**

Umushikirizamanza atora amasura akwirikije akamaro k'ivyo bavuga, ningene bishobora kwizegwa kandi bikemegwa.

**83. Ivyabona bitegerezwa gusura ?**

Oya, Sentare ntitegeka icabona kurenguka kugira gisure kitabishaka.

**84. Sentare imenya gute ko ivyabona bitabeshe?**

Ingingo zitandukanye zarafashwe kugira bazibire amasura y'ibinyoma. Imbere yo gusura, icabona cose kirarahira ko kibwiz'ukuri Sentare. Abacamanza barafise ububasha bwo kwiheza mumwidegemvyo ivyemezo vyose baronse, kugira barabe ko bifasha nuko bikwiye kwemegwa.

Sentare irashobora guhana amasura yibinyoma mugucira uwabikoze igihano co gupfungwa kitarenza imyaka itanu canke bakamucir'ihadabu.

**85. Amasura afashwa gute ?**

Ivyabona birengutse imbere ya Sentare birahabwa amakuru n'impanuro. Aho rero, igisata kijejwe gufasha abakorew'amabi namasura kirabafasha muvyo bakeneye, harimwo kubafasha mukubahanura, kubatabara bigoranye, n'ukubavuza iyo bikenewe.

Ico gisata kirafasha amasura arengutse imbere ya Sentare giciye mu buryo bise « gufasha kumenyera ». Ubwo nuburyo bakoresha kugira babasigurir'ingene bigenda mu ntahe y'icese no mukuburanisha, imbere yuko barenguka gusura. Kuri benshi, buba ari ubwa mbere barenguka imbere ya sentare, bikaba vyoshobora kubagora. Vyoshobora kubahungabanya, bikanahindura ivyo bavuga. Ubwo buryo bwo kubafasha kumenyera bukaba rero butuma ivyo bitaba. Ugufasha kumenyera ntaco vyonona nakimwe kumasura y'ivyabona kuko ntuba arumwanya wo kuvuga ivyerekeye ivyemezo.

**86. Ingingo zifatwa zo gukingira amasura nizihe?**

Sentare yarafashe ingingo zimwe zimwe zishobora gufasha gukingira ivyabona birengutse imbere yayo nabandi bantu bashobora guhura n'ingorane zitewe nivyo amasura yavuze. Imvo nyamukuru yatumye Sentare ishira ko ubwo buryo bwo gukingira ivyabona nugukomeza «uburyo bwiza » mu nzira y'ukunyegeza ivyo isura ikorana  na Sentare ngo ab'iwabo nabantu bose ntibababimenye.  Ubwo nibwo buryo abantu bose bavugana n'amasura bakoresha.

Ingingo zugukingira amasura mubikogwa vya minsi yose zirashobora gukwirikizwa aho amasura aba, nkakarorera ico bise "Uburyo bwo gutabara ningoga" n'uburyo bufasha gutabara igihe cose, iminsi yose n'umwanya wose, hagize icihuta. Sentare igatabara ningoga, bishobotse igafasha amasura gusohoka bakaja ahikinze, mugihe boba barondegwa canke batinya kuba mubarondegwa. Izindi ngingo zofasha gukingira amasura nink'ukubigisha akamaro k'ibanga ry'ivyo

barimwo, gushiraho uburyo bwo kubakingira nukwumvikana kuburyo hoshigwa ho integuro yo gutabara vyihuta.

Sentare irashobora kandi gushinga ingingo zerekana ivyokwirikizwa kugira ivyabona bikingigwe. Izo ngingo zishobora kuba nko guhindura ingene umuntu asa, n'ijwi ryiwe, canke gukoresha irindi zina. Ingingo zidasanzwe zindi zirashobora gufatwa na Sentare kumasura yahahamutse, kubana, no kubantu bakuze canke abakorewe amabi afatiye kugitsina. Bishobora kuba ari nk'ukworohereza amasura mugufasha umu psychologue canke incuti kuba arih'ari umunsi icabona kirenguka, canke bagakinga n'irido kugirango uwagirizwa ivyaha ntamubone mumaso. Ingingo ya nyuma y'ugukingira amasura nukubashira mu bikogwa vyo gukingira vya Sentare, hamwe icabona numuryango wiwe baca babimura bakabajana kure yabobagirira nabi. Ubwo buryo burakingira neza, ariko kubera ingene bigora cane abimuwe, iyo ngingo iguma ariyo gukoresha hamwe ata bundi buryo bushoboka kandi aruko bikenewe cane.

Ingingo zo gukingira ntizibuza ko urubanza rutarenganya kandi zikwirikirana gufasha ivyabona kuguma bamerewe neza banatekanye. Izo ngingo zikoreshwa co kimwe, kumasura y'ababuranyi bose, abitwaye nabakwirikiranwa. Ababuranyi bose basabwa kugumy'ibanga n'ukwubahiriza ingingo zo gukingira. Ariko niyo ingingo zo gukingira amasura zashizwe mungiro, amasura yama ashobora kubazwa.


Cour
Pénale
Internationale
International
Criminal
Court
Sélection de documents juridiques de référence de la Cour pénale internationale

## VII. Ibindi vyerekeye Sentare

### 87. Ayandi makuru yerekeye Sentare mpanavyaha mpuzamakungu

Ayandi makuru yerekeye Sentare abarizwa kurubuga ngurukanabumenyi rwayo ahakwirikira : www.icc-cpi.int. Uhasanga inyandiko kuvy'amategeko, ingingo zafashwe na sentare, ingingo zerekeye ibiba n'imanza ziri muminwe ya sentare, amakuru yerekeye inzego za Sentare, amatangazo yo kumenyesha amakuru namakuru ashikirizwa abaserukira abamenyeshamakuru, amakuru aranga ubuzi nibibanza vy'ukwimenyereza n'ayandi makuru yerekeye Sentare.

Uretse ukumenyesha ubwo nyene ibiriko biraba ku rubuga ngurukanabumenyi rwa Sentare, bifasha abantu gukwirikirana imanza, Sentare yaruguruye muri Ntwarante 2010 umurongo wayo kuri YouTube kuri : www.youtube.com/user/IntlCriminalCourt, kugira yiyegereze be nibikogwa vyayo abayikwirikira.  Uwo murongo ufasha abarorerezi gukwirikirana imanza zose ziri imbere ya Sentare, mu ndimi nyinshi, biciye mukiganiro citwa « Imbere ya Sentare », itanga ivyegeranyo mumajwi no mumasanamu, kw'iburanishwa ry'imanza.

Ibindi biganiro mumajwi namasanamu bisangwa kumurongo YouTube ya Sentare mpanavyaha mpuzamakungu, harimwo ibikogwa vyo gusigura n'ivyegeranyo vy'ibikogwa nibihabera.

Bamaze kwugurura umurongo YouTube wa Sentare mpanavyaha mpuzamakungu, haruguruwe nagasandugu Twitter kugirango bashikirize amakuru ahambaye kandi atarata igihe muruwo mwanya nyene, kuri http://twitter.com/IntlCrimCourt.

Ikoreshwa ryubwo buryo bwo guhanahana amakuru muri benshi  riri muvyo Sentare yiyemeje gushira mwo inguvu kugira amakuru yayo ashikire ningoga abayakeneye muburyo butandukanye, kandi ata kinyegejwe.

### 88. Amakuru aboneka mu ndimi izihe?

Ku bisanzwe, amakuri ari mundimi z'igifaransa n'icongereza, arizo ndimi  Sentare ikoresha. Inyandiko zimwe zimwe ziri no mundimi z'icarabu, igichinois, espagnol n'ikirusiya, nazo nyene ziri mundimi Sentare ikoresha.

**89. Umuntu akwirikira gute ibiganiro vyerekeye Sentare mpanavyaha mpuzamakungu biriko birashikirizwa canke urubanza ruriko rurumvirizwa?**

Sentare mpanavyaha mpuzamakungu irakira kucicaro cayo uwo wese akeneye amakuru ku nzego zayo, kuburyo ikora n'ingene akazi kayo kameze.

**Kugira umuntu akwirikire ibiganiro vyerekeye Sentare biriko biraba :**

Haba umuntu umwe atembereye kucicaro ca Sentare, haba abaje mu mugwi, abifuza gukwirikirana ikiganiro kubiraba Sentare mpanavyaha mpuzamakungu basabwa kwuzuza urupapuro rwo kubisaba, ruboneka ku rubuga ngurukana bumenyi rwa Sentare kuri : www.icc-cpi.int. Impapuro zo gusaba zirungikwa mu buhinga ngurukanabutumwa ku gasandugu gakwirikira : visits@icc-cpi.int amezi abiri imbere yisango ryurugendo rw'umugwi, n'ukwezi kumwe iyo ar'umuntu umwe yifuza kugendera ikigo ca Sentare.

Mugukwirikira imanza :

Sentare mpanavyaha mpuzamakungu iburanisha imanza zayo kumugaragaro, mu ntahe y'icese, ku cicaro cayo i La Haye, kiretse iyo hari igisata casavye ko urubanza ruburanishwa mu mwiherero. Umuntu aca aza ku muryango wa Sentare (ntibinakenewe ko abanza kwuzuza urupapuro). Uwo wese yinjira murugo rwa sentare abwirizwa guca aho bagenzura umutekano akerekana ikimuranga (igitabo c'inzira, karangamuntu, canke Uruhusha rwo kugendesha umuduga).

Vyongeye, iburanishwa ry'imanza mu ntahe y'icese rirarungikwa kurubuga ngurukanabumenyi rwa Sentare, munyuma y'iminota 30. Bisangwa kuri : www.icc-cpi.int

Uwoba akeneye ayandi makuru, ashobora kuraba urutonde rwimanza. Ikindi nuko, kumvo zukwanka guhungabanya umutekano w'abantu, abakiri bato batarakwiza imyaka 16, ntibemerewe kwinjira munyubakwa za Sentare.

**Uwifuza kuturondera yobaza :**

**Igisata cukwegeranya nugutanga amakuru**

Ibiro vy'iyandikiro ry'imanza, Sentare mpanavyaha mpuzamakungu

Oude Waalsdorpperweg 10

2597 AK  La Haye,

Pays-Bas

Telefone : +31 (0) 70 515 8108

Fax : +31 (0) 70 515 8555

Agasandugu ngurukanabutumwa : PublicAffairs.Unit@icc-cpi.int

Kwumva neza Sentare mpanavyaha mpuzamakungu